# Kibondo! Mu vy'ukuri ngira ndakwigishe amajambo ngirakamaro, enda zigama Imana Allah mu kubungabunga amabwirizwa yayo, na Yo Izokuzigama Ikubungabunge; zigama Imana Allah uzoyisanga imbere yawe mu biguhanze; niwagira ico usavye, urasaba Imana Allah, niwashaka gusaba imfashanyo urayisaba Imana Allah

Mu vyakiriwe na mwene Abasi (Imana Allah Ibishimire bompi) yavuze ati: "Umusi umwe nari mpetswe n'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ku gitwazi iraheza imbwira iti: "Kibondo! Mu vy'ukuri ngira ndakwigishe amajambo ngirakamaro, enda zigama Imana Allah mu kubungabunga amabwirizwa yayo, na Yo Izokuzigama Ikubungabunge; zigama Imana Allah uzoyisanga imbere yawe mu biguhanze; niwagira ico usavye, urasaba Imana Allah, niwashaka gusaba imfashanyo urayisaba Imana Allah. Menya kandi ko abantu bose mu gihe bohuriza ku ngingo yuko hari ico bakumarira, ata na kimwe boshobora kukumarira kiretse kirya Imana Allah Yamaze kukwandikira ko ukironka; no mu gihe bohuriza ku ngingo yuko bakugeramira, ata na kimwe boshobora kukugeramirako kiretse kirya Imana Allah Yamaze kukwandikira ko kigushikira; burya rero ikaramu yandika ivyagezwe kuri umwumwe wese, yaramaze kwandika, kandi n'impapuro vyanditseko zaramaze kwumuka"".

[صحيح] [رواه الترمذي]

Mwene Abasi (Imana Allah Imwishimire) aratwiganira ko igihe yari akiri umwana muto, Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yigeze kuba amuhetse ku gitwazi, maze (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) aca amubwira ati: Mu vy'ukuri ngira ndakwigishe ibintu bizotuma Imana Allah Igira ico Ikumariye: Enda zigama Imana Allah mu kubungabunga amabwirizwa y'ibitegetswe n'ibibujijwe, ku buryo igihe cose Igusanga uri mu bikorwa nyumviramana na nyegerezamana, gutyo ntigusange uri mu vyaha no mu bicumuro, niwaramuka ukoze ivyo, impera yawe izoba ari uko Imana Allah Ikuzigama mu kugukingira ivyokubangamira mu buzima bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa, maze Igushikane ku ntsinzi mu vyawe aho hose uzoba uroye kw'isi. Mu gihe rero wogira ikintu ushatse gusaba, ntugasabe nya kintu umuntu n'umwe, kiretse Imana Allah kuko ari Yo Yonyene Yishura abasavyi mu kubaronsa ivyo basavye. No mu gihe ushatse gusaba imfashanyo ku bikugoye, ntugasabe umuntu n'umwe kiretse Imana Allah. Uragira n'ukwizera nya kwizera ko ata kintu na kimwe ngirakamaro woshikako n'aho abantu bo kw'isi yose

bogihurizako kugira ngo bakikumarire, kiretse kirya Imana Allah Yakwandikiye ko ukironka; n'uko ata kintu na kimwe kikubangamira cogushikira n'aho abantu bo kw'isi yose bogihurizako kugira ngo bakugeramire, kiretse kirya Imana Allah Yamaze kugera kuri wewe ko kigushikira. Ukanizera kandi ko birya vyose bigushikira, Imana Allah Yamaze kuvyandika no kubigera hisunzwe intumbero nziza Ifise ku biremwa, n'ubumenyi bwayo bukikuje vyose, nta gihinduka rero mu vyo Imana Allah Yamaze kwandika.

https://www.sunnah.global/hadeeth/rn/show/4811

النجاة الخيرية
ALNAJAT CHARITY

لجنة الدعوة الإلكترونية
EDC
E-Da'wah Committee